Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°824 01 Gitugutu 2024

# « Gende muhamagare abantu bose baze mu bugeni » (Matayo 22, 9)

*Ijambo Papa Fransisko ashikirije abakristu bo kw'isi yose, ku musi mpuzamakungu wahariwe ubutumwa bwo gukwiza hose inkuru nziza ya Yezu Kristu Igenekerezo rya 20 Gitugutu 2024*

« **Gende muhamagare abantu bose baze mu bugeni** » (Matayo 22, 9)

Bavukanyi,

Kuri uyu munsi mpuzamakungu w'uno mwaka wahariwe kumenyesha Inkuru Nziza, nahisemwo icivugo cisunga umugani w'Inkuru Nziza utuyagira abatumiwe mu bugeni (Raba Matayo 22, 1-14).



Inyuma yaho abatumire bankiye ubutumire, umwami avugwa muri uyo mugani, yabwiye abasuku biwe ati: «***Gende rero mu mahwane y'inzira, muhamagare abo mubona bose baze mu bugeni***» (Matayo 22,9).

Soma ku Rup. 4

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

# Urugendo rugira urwa 45 kuva Papa Fransisko abaye umusubirizi wa Petero



Soma ku Rup. 6

## Ibirimwo

o Urugendo rugira urwa 45 Kuva Papa Fransisko abaye umusubirizi wa Petero Mweranda......6
o Isangiramutima, isosko rikomeza ubutumwa rigashikana ku majambere atarota......8
o Uruhara rw'urwaruka kugira ngo habe amatora yizigiwe......9
o Uburenganzira bw'umuntu bwo kuva mu gihugu ciwe no kukigarukamwo igihe ashakiye ......10

# Idominika ya mirongo 27: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: *Amamuko: 2, 18-24*

***Ivyo dusoma mu gitabu c'Amamuko:***

***(Bazocika umubiri umwe)***

Mu ntango y'irema, Umukama yavuze ati : « Ntibikwiye ko umuntu aguma ari wenyene, nzomuronderera umugenzi bakwuranye. » Umukama arongera kubumbabumba ibikoko vyose vyo mw'ishamba n'inyoni zose zo mu kirere, hanyuma abizanira umuntu ngo arabe uko avyita : kimwe kimwe cose categerezwa kugumya izina cahawe n'umuntu. Umuntu rero arakwiragiza amazina ibikoko vyose, inyoni zo mu kirere n'ibitungwa vya mu mirima ; mugabo nta mugenzi bakwiranye yasanzemwo. Umukama rero arungikira umuntu itiro ryinshi, arasinzira. Amukuramwo igufa rimwe ry'urubavu, mu nyuma arateranya aho ryavuye.

Umukama afata rero rya gufa yakuye mu rubavu rw'umuntu, arikoramwo umugore, hanyuma amuzanira nya muntu. Uno rero aca ashira ijwi hejuru ati : « Ubuho rero, uyu ni igufa ry'amagufa yanje, kandi ni umubiri w'umubiri wanje. Azokwitwa umugore, kuko yavuye mu mugabo. »Nico gituma umugabo azoheba se na nyina, akunga ubumwe n'umugore, bagacika umubiri umwe.

## Igisomwa ca kabiri: *Abaheburayo: 2,9-11*

***Ivyo dusoma mw'ikete ryandikiwe Abaheburayo:***

***(Yezu ni Umucunguzi akaba n'umuvukanyi)***

Yamara uwo Yezu yashizwe umwanya mutoyi munsi y'abamarayika, tumubona yambitswe urugori rw'ubuninahazwa rumutera icubahiro kubera amagorwa y'urupfu, yapfiriye abantu bose kubera imbabazi z'Imana. Nkako, vyari bibereye ko uwo ibintu vyose vyaremewe kandi biciye kuri we, kugira ngo ashikane abana benshi mu buninahazwa, agira uwuri isoko ry'ubukiriro bwabo umuntu abushitse, biciye mu magorwa. Nkako uwugira abantu beranda, n'abagizwe beranda bose bamuka kuri umwe. Ni co gituma adatinya kubita benewabo.

## Inkuru nziza *: Mariko : 10,2-16*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Dukundanye, Imana iratugumamwo, n'urukundo rwayo rukaba rurangukiye muri twebwe.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Mariko :
(Ntihagire umuntu azotandukanya ico Imana yifatanirije)
Abafarizayo baregera ngo bamugeze, bamubaza ko birekuwe ko umugabo yirukana umugore wiwe. Arabishura rero ababwira ati: «Musa yabategetse iki?» Na bo bavuga bati: «Musa yararekuriye umugabo ko iyo yirukanye umugore amwandikira urwandiko rw'uko batandukanye.» Yezu yamara ababwira ati: «Ugukomantaza umutima kwanyu ni kwo kwatumye abandikira iryo bwirizwa. Ariko kuva mu ntango y'irema, Imana yaremye umuntu, irema umugabo n'umugore. Kubera ico, umugabo azoheba se na nyina yunge ubumwe n'umugore wiwe, abo babiri babe umubiri umwe. Ntibaba bakiri babiri rero, ahubwo baba babaye umubiri umwei. None rero ico Imana yafatanije, umuntu ntakagitandukanye.»

Bari mu nzu, abigishwa biwe bongera kumubaza ivyerekeye ivyo bintu. Na we arababwira ati: «Umugabo wese yirukana umugore wiwe akabira uwundi, aba abaye umusambanyi. N'umugore avana n'umugabo wiwe akabirwa n'uwundi, na we nyene aba abaye umusambanyi.» Hanyuma bamuzanira utwana ngo adukoreko, ariko abigishwa baratwamira. Yezu abibonye, arashavura, ababwira ati: «Reke utwana tuze iwanje, ntimutubuze, kuko Ubwami bw'Imana ari ubw'abameze nka two. Ni ukuri ndabibabwiye, uwutakira Ubwami bw'Imana nka kurya kw'akana, ntazokwigera abwinjiramwo.» Hanyuma apfumbatira nya twana, araduhezagira mu kutwubikako ibiganza.

---

***Umugabo yavuye mukabare yasomye utuyoga, maze arataha, ageze imuhira aja kuryama hamwe n'umugore wiwe.***
***Umugore*** abaza umugabo ati : «Uranywa inzoga ?»
**Umugabo** ati: «Cane rwose agacupa ndagasoma».
***Umugore***: «None bb uzinywa Incuro zingahe ku munsi ? »
**Umugabo**: «Mu gitondo,sasita na nimugoroba. Urumva ni amacupa 3 ku munsi, Incuti zanje zonshingirintahe pe !»

***Umugore*** yavyiyumviriyeko akanya gato. Maze aba aramubajije ati : «Icupa rimwe rigurwa angahe?»
**Umugabo:** «Make ni 600F muri butique muri hoteli ni 1000F».
***Umugore***: «Haheze igihe kingana gute unywa inzoga sheri?»
**Umugabo**: «Imyaka 20 »
***Umugore***: «Icupa rimwe rigura 600 F kandi unywa amacupa 3, bivuze ko unywera 54 000F ku kwezi. Sivyo?»
**Umugabo** nawe ati : «Wabimenye »
***Umugore***: «Ubwo rero unywera 648,000F ku

(Ibik. urup: 3

# Tuzirikane ijambo ry'Imana

Bavukanyi

Kuri uyu munsi Umukama Imana aratuyagira ibijanye n'ukwubaka. Muri vyinshi bihagaritse umutima ni ukubona uko ingo n'imiryango bibayeho.

**Ntihagire umuntu azotandukanya ico Imana yifatanirije**

Hari benshi badategera iyo bija bakabana gusa nk'ibisanzwe kuko abatari bake babigira uko barazwe n'ababibarutse.

Ni akaryo keza kandi kabereye ko Umukama atwibutsa ingingo ikomeye Imana yishingiye kuva mu ntango y'irema. Imana yararemye umugabo n'umugore kandi ishinga ko umugabo azoheba se na nyina akunga ubumwe n'umugore wiwe bompi bagacika umwe musa.

Dutereze agatima kuri rino jambo, tumenye neza ko ishingiro ry'urugo atari urukundo abantu bashaka ko bakunda canke bakundwa n'abandi, yamara ko ishingiro n'iremezo vya mbere ari ugushaka kw'Imana yo nyene.

Imana niyo Remezo ry'urugo kuko ari nayo yavyishakiye aho yarema «umugabo n'umugore, kandi ikabahezagira nk'umugabo n'umugore, iti: Gende murondoke, mugwire mungane inyenyeri zo kw'ijuru n'umusenyi wo ku kiyaga..»

Iyo rero hagize uwushima uyu canke uriya, maze agafata ingingo y'ukubakana nawe, nta kindi kiza gisubirira ivyamaze gufatana.

Twumve neza, ntawurekuriwe kwifatanura k'uwo yashimye bakabana, kuko ntibaba bakiri babari, baba babaye umwe musa.

Ibi rero biza bikingira ingo gusambuka kubera ubushurashuzi, umenga bamwe bagize ubuhizi, maze bagatwarwa ipfa n'abagore b'abandi canke n'abagabo b'abandi.

Turakwiye kwiyamiriza iyo ngendo dusanga mu bakristu bamwe bamwe bashaka gutungwa na tubiri, bisunze imigani imw'imwe idatomoye, ngo "Umwonga umwe wonza inyoni", " Umugabo ni uwurya utwiwe n'utwabandi", n'iyindi.

Bavukanyi, Umukama yabigize uko kugira ngo abantu batunganirwe kandi baterwe iteka n'ukunywana n'uwabaremye.

Twarasangiye ubunywanyi bukomeye n'Umwaturemye, aho Jambo wa Data yigira umuntu akabana natwe, mbere akanarushirizaho, akiremeka ibicumuro vyacu ngo bikunde umuntu akire, aronke iteka yatewe ry'ukuremanwa agashusho k'Umuremyi.

Gutyo rero tugireko dutegera igituma Umukama Yezu ashimikira cane k'ukubahiriza ingo n'imiryango. Mbere turategera ko yaba umugabo canke umugore atawuza asumvya iteka uwundi: bompi ni bamwe kuko umwe ava mu wundi, bisigura ko basangiye ukuba umuntu.

Mu kwunga ubumwe rero Umukama Yezu yerekana ko umugabo n'umugore baba umwe musa. Birahimbaye kubera iryo shingiro ry'ukungana. Bica bitwereka urukundo umugabo akunda umugore ruba ari urukundo akunda umubiri wiwe nkuko Paulo mweranda yavyandikiye abanyefezi (Soma Ef 5,28).

Iruhande y'ivyo, biragaragara neza ko iyo umuntu abonye uwundi basa yikamaje agira ati: "Ubu rero uyu ni igufa ry'amagufa yanje, ni umubiri w'umubiri wanje".

None bishoboka bite ko umukristu atazirikana iryo jambo ngo ategere ico Imana yikoreye, yiranguriye ngo aheze akunde bivuye ku mutima?

Bishoboka bite ko abantu basigaye bashinga amategeko yo gutandukanya abubatse?

Abasaba gutandukanywa n'abo bubakanye na bo basa n'abariko baragwira, vyumvikana rero ko vyoba akaryo keza ko kubibona no kwihanura. Yezu ati: "Ntihagire umuntu azotandukanya ico Imana yifatanirije"

Bakristu bavukanyi, turahagabira! Ingaruka z'uguca kubiri n'iryo jambo, ziratwugarije twese, ntitwibaze ko iyo ngeso mbi yiraye mu mahanga ho nyene. Nitwanke iyo mico mibi kandi itabereye, twanke kandi twiyamiirize ingeso mbi zotuma abubakanye barondera gusambura.

Nidusabe Umukama adukomeze, aduhe umutima wo gusabira ingo z'abubakanye rukristu, barigumye bongere babere ikimenyetso n'akarorero keza abagoyagoya canke abatinya gufata ako kayira Umukama we nyene yiciriye kuva mu ntango y'irema.

Amen!

***Patiri Noël Ntirandekura***

---

mwaka. Bivuze ko mu myaka 20 umaze kunywera 12,960,000F.Sivyo?

**Umugabo:** «Ego »
***Umugore*** : «wari uzi ko muri ayo mafaranga uharuye n'inyungu Ubu uba waraguzemwo imodoka bita Benz Mercedes ?»
Ivyo vyose umugore yabivuga yirashavuje.
Atanguye gutera induru, maze umugabo aba aramubajije ati :»Ese Mada wewe uranywa inzoga?
***Umugore***: Oya.

**Umugabo**: Ntitwatanguriye akazi rimwe? None ntiduhembwa amafaranga angana?

***Umugore***: «Ego»
**Umugabo**: «None wewe Mercedes Benz yawe iparitse hehe?

***Umugore***: Umva mugabo mwiza reka turyame urabona amasaha arakuze pe !
Si je nohahera!!!
***Ari wewe, wokora iki kugira mwumvikane ngo urugo ntirusambuke???***

# « Gende muhamagare abantu bose baze mu bugeni » (Matayo 22, 9)

(Bitangurira ku rup.1

Tuzirikanye dufatiye kuri iryo jambo-nshimikiro, tukaraba uyo mugani n'ubuzima bwa Yezu, turashobora gukuramwo ibintu bimwe bimwe bihambaye twoshimikirako mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza.

Kuri twebwe abigishwa-batumwa ba Kristu, ivyo bintu biguma ari bishasha cane cane muri kino kiringo ca nyuma turimwo c'inama nsangiza ngendo, ifatiye ku civugo c'isangiramutima, ukwitanga n'ubutumwa, kibwirizwa gukirurutsa Ekleziya mu ruhara rwayo ntasubirizwa rwo kumenyesha Inkuru Nziza mu gihe ca none.

***1. « Gende kandi mutumire ».***

Ubutumwa nk'igikorwa co kugenda no guhamagara ubudahengeshanya mu bugeni bw'Umukama

Imbere ya vyose, mu vyo umwami abwiriza abasuku biwe, turabona amavuga abiri aserura umutima w'ubutumwa: « Gende, mwongere muhamagare » ni ukuvuga mutumire. Ku vyerekeye irivuga rya mbere, twibuke ko abasuku bari babanje kurungikwa gutanga ubutumwa bw'umwami ku batumire (Raba Matayo 22, 3-4).

Ivyo biratwereka ko ubutumwa ari kugenda ubudahengeshanya ugana zina muntu wese umutumirira guhura no kunywana n'Imana. Iyo Mana Mutarambirwa kandi yuzuye urukundo n'ikigongwe ntihengeshanya kugana umuntu imuhamagarira ubuhirwe bw'Ubwami bwayo naho yoba sindabibazwa canke akagagaza.

Na Yezu Kristu, umwungere mwiza akaba n'intumwa ya Data, yaguma arondera intama zatakaye z'umuryango w'Israyeli ndetse n'izazimiye (Raba Yohani 10, 16).

Imbere n'inyuma y'izuka ryiwe, abwira abigishwa biwe ati: « Gende! », akabasangiza ubutumwa bwiwe (Raba Luka10, 3; Mariko 16, 15).

Nico gituma n'Ekleziya idahengeshanya gukwira isi yose itarambirwa kandi idacika intege mu ngorane no mu ntambamyi, mu kurangura nk'uko bikwiye ubutumwa yahawe n'Umukama.

Mfashe kano kanya ngo nkengurukire abamisiyonari, abagabo n'abagore, bo mu kwitabira akamo ka Kristu, bahevye vyose maze bakagenda kure y'ibihugu vyabo vy'amavukiro, batwaye Inkuru Nziza aho abantu batari bwayumve canke bayakiriye vuba.

Bakunzi banje, ukwitanga kwanyu kuragaragaza urukundo n'umwitwarariko mufitiye ubutumwa bwerekeza ku makungu Yezu yasigaranye abigishwa biwe aho yagira ati: « Gende rero! mugire abigishwa abantu bo mu makungu yose » (Raba Matayo 28, 19).

Ntiduhengeshanye rero gusenga twongera dukengurukira Imana ku mihamagaro mishasha kandi myinshi y'abamisiyonari, ku gikorwa co kumenyesha Inkuru Nziza kibandanya gushika ku mpera y'isi.

Ntitwibagire kandi ko umukristu wese ahamagariwe kugira uruhara muri ubwo butumwa bukwiye kw'isi yose, mu gushingira intahe Inkuru Nziza aho hose abaye, kugira ngo Ekleziya yose ntihengeshanyekugenda iri kumwe n'Umukama akaba n'Umwigisha igana « amahwane y''inzira» z'isi ya none.

Ni ivy'ukuri, "uyu munsi, ikibabaje muri Ekleziya ni uko Yezu ari mu mitima yacu aguma adodora, mugabo ntitumureke ngo asohoke!

Akatari gake, birangira habaye Ekleziya yigungana U-mukama « nk'ikintu cayo bwite », ntitumureke ngo asohoke kandi ari co camuzanye agashaka ko natwe tuba abamisiyonari (Ijambo ryashikirijwe abari mw'ihwaniro ry'Igisata ca Papa kijejwe abalayike, imiryango n'ubuzima, igenekerezo rya 18 ruhuhuma 2023).

Twebwe twese, ababatijwe twikazanure kandi, umwe wese uko ubuzima bwiwe bubimushoboje, dusubire dukabure muri twebwe umutima w'ubumisiyonari nka kumwe vyaba mu ntango y'ubukristu. Tugarutse kuri rya tegeko ry'umwami abwiriza abasuku muri uyu mugani, irivuga kugenda ribangabanganywe n'irivuga guhamagara canke gutumira: « Ni muze mu bugeni» (Raba Matayo 22, 4). Ivyo birerekana iyindi ntumbero y'ubutumwa idasanzwe Imana yatanze.

Nk'uko umuntu yovyibaza, abo basuku bamenyesheje ubutumire bw'umwami bihuta kandi babigirana ubwitonzi bwinshi n'urupfasoni. Ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza ikiremwa cose, butegerezwa kwisunga intumbero y'uwo bumenyesha.

Abigishwa batumwa bamemyesha kw'isi «ubwiza bw'urukundo rukiza rw'Imana rwibonekeje muri Yezu Kristu yapfuye akazuka ».

Babikora buzuye akanyamuneza, ubwitonzi n'urupfasoni bimwe mu vyamwa vya Mutima Mweranda ababamwo (Raba Abanyagalati 5, 22);

Babirangura kandi ata gahato, ata kuremerwa, ata kuryosharyosha, bakabigira igihe cose, biyegereza abantu n'impuhwe n'ubwitonzi bigaragaza akaranga k'Imana.

***2. Mu bugeni. Intumbero yerekeza kw'i-***

Ibik. urup.5

# « Gende muhamagare abantu bose baze mu bugeni » (Matayo 22, 9)

(Bitangurira ku rup.4)

***hindukira ry'Umukama no kuri Ukaristiya mu butumwa bw'Ekleziya***

Muri uyu mugani, umwami abwira abasuku gutwara ubutumire bwo kuza mu bugeni bw'umuhungu wiwe. Ubwo bugeni bushushanya ubugeni bwo mw'ijuru. Ni ingereranyo y'urukiza rwa nyuma rwo mu bwami bw'ijuru, bwarangukiye mu kuza kwa Yezu, Mesiya, Umwana w'Imana yaduhaye ubuzima bw'umwuzurira (Raba Yohani 10, 10).

Ubwo buzima bwerekanwa n'umusi mukuru yatunganije urimwo inzimano z'«inyama zinuze n'umuvinyu ukatsuye igihe Imana izozimanganya urupfu ubutakigaruka » (Raba Izaya 25, 6-8).

Ubutumwa bwa Kristu buranguka mu bihe bishitse nka kumwe Kristu yabitangariza abigishwa biwe ati: «Igihe cashitse: ubwami bw'Imana buri hafi» (Raba Mariko 1, 15).

Nuko rero, abigishwa ba Kristu bahamagariwe kubandanya ubutumwa bw'Umwigisha wabo akaba n'Umukama.

Nk'uko inyigisho y'inama nkuru ya Vaticano ya kabiri itwibutsa akaranga k'ubutumwa bw'Ekleziya kerekeza kw'ihindukira ry'umukama: « Igihe c'igikorwa c'ubumisiyonari tugisanga hagati y'amaza ya mbere y'Umukama n'ihindukira ryiwe (...).

Kuko imbere y'amaza y'Umukama,Inkuru Nziza ibwirizwa kumenyeshwa mu makungu yose».

Turazi y'uko ubwira bwo kumenyesha Inkuru Nziza bw'abakristu ba mbere bwari bushimikiye cane ku maza y'Umukama. Bariyumvamwo ko kumenyesha Inkuru Nziza ari igikorwa cihutirwa.

Uyu musi naho, birabereye ko tugumya mu muzirikanyi iyo ntumbero, kuko idufasha kumenyesha Inkuru Nziza mu kanyamuneza k'uwuzi ko Umukama ari hafi, kandi no mu mwizero w'uwuzi ko agenda agana iryo hangiro, igihe tuzoba twese turi kumwe na Kristu mu bugeni bwo mu bwami bw'Ijuru.

Mu gihe isi tubayeko itwereka inzimano zitandukanye mu vyo twihereza, duhimbarwa n'ukwigungirako, mu kurundarunda no mu kwibako, Inkuru Nziza yoyo itumira uwo ariwe wese mu nzimano y'Imana ho harangwa akanyamuneza, gusabikanya, ubutungane, umuvukano, mu bunywanyi n'Imana hamwe n'abandi.

Uwo mwuzurira w'ubuzima, ari yo ngabirano ya Kristu, dutangura kuwubona mu nzimano ya Ukaristiya, Ekleziya ihimbaza nk'uko Umukama yabisavye, mu kubigira tumwibuka.

Ni uko rero, ubutumire bwo mu nzimano yo mw'ijuru duha umwe umwe mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza bufatanye cane n'ubutumire bwo ku meza y'Ukaristiya, aho Umukama adufungurira Ijambo ryiwe, umubiri wiwe n'amaraso yiwe.

Nk'uko Papa Benedigito wa 16 yavyigishije, « mw'ihimbazwa ry'Ukaristiya iryo ari ryo ryose harangurwamwo ku bw'iryo sakramentu ihwaniro ry'igihugu c'Imana rizoranguka neza kw'ihindukira ry'Umukama.

Inzimano y'Ukaristiya itubera vy'ukuri iranguka ry'inzimano ya nyuma, imwe abahanuzi bamenyesha (Raba Izaya 25, 6-9) kandi ikerekana mu Bwuzure Bushasha "ubugeni bw'umwagazi (Ivyahishuwe 19, 7-9) butegerezwa guhimbazwa mu kanyamuneza k'ubunywanyi n'aberanda ».

Ku bw'ivyo, turahamagariwe twese guhimbaza neza Ukaristiya kuko itwerekeza ku vyiza vy'ijuru n'ubutumwa.

Kuri ico, nsubiye kwibutsa ko "tudashobora kwegera ameza y'Ukaristiya tutemeye kwinjira muri iyo ntumbero y'ubutumwa, bushinze imizi mu mutima w'Imana nyene, ishaka gushikira abantu bose".

Ugusubira guhurumbira Ukaristiya ama Ekleziya atari make ahimiriza muri kino kiringo c'inyuma y'ikiza ca Covid, kurahambaye mu gukabura umutima w'ubumisiyonari mu mukristu wese.

Twogira ukwemera kungana gute n'ubwira bw'umutima, mu nkuka ya Misa, ngo dushobore kuvuga duti: « turamenyesha urupfu rwawe, Mukama Yezu, turamenyesha Izuka ryawe, turindiriye aho uzogarukira mu buninahazwa »!

Muri iyo ntumbero, muri uno mwaka wahariwe gusenga ngo twinjire muri Yubile y'imyaka 2025, ndahamagariye umwe umwe wese kwongereza inguvu, cane cane, kuja mu nkuka ya misa no gusabira ubutumwa bw'Ekleziya bwo kumenyesha Inkuru Nziza.

Iyo Ekleziya, mu kugamburuka Ijambo ry'umukiza, ntihengeshanya kwerekeza ku Mana, mw'ihimbazwa ry'Ukari-stiya hamwe n'amasabamana, igisabisho ca Dawe wa twese yongera isaba iti : «Ubwami bwawe ni buze ».

Ni uko rero igisabisho ca misi yose, cane cane Ukaristiya, kitugira abatumwa b'umwizero, mu rugendo rugana ubuzima butagira iherezo mu Mana, kuri ya nzimano y'ubugeni Imana yateguriye abana bayo bose.

***Biracaza***

***Vyahinduwe mu Kirundi n'Ibiro Ndemeshabutumwa bw'Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu Burundi. (Œuvres Pontificales missionnaires /Burundi)***

# Urugendo rugira urwa 45 kuva papa Fransisko abaye umusubirizi wa Petero

Kuva ku wa 2 gushika ku wa 13 Nyakanga 2024, Nyenubweranda Papa Fransisiko mu gihe yegereje gushikana imyaka 88 y'amavuka, yaragize urugendo rurerure rusumba izindi ngendo zo-se yafashe kuva ashinzwe amabanga yo kuba umusubirizi wa Petero Mweranda.

Urwo rugendo akaba yarugiriye ku mugabane wa Aziya na Oseyaniya mu bihugu vya Indonesie, Papouasie-Nouvelle-Guinée,Timor y'Ubuseruko na Singapour.

Muri ivyo bihugu vyose, Nyenubweranda yaragaraje umutima wo gukurikirana intama yaragijwe n'Imana.

Ku rutonde rw'urwo rugendo, vyari bitegekanijwe ko abonana n'abakuru b'ibihugu , indongozi, gushikiriza amajambo atandukanye Abepisikopi, abasaseredoti n'abihebeyimana; hamwe no guha imibonano abana n'urwaruka. Muri ivyo bihugu vyose, papa yarahaherereje inkuka za misa.

***• Urugendo rwa Papa muri Indoneziya ku wa 3-6 Nyakanga 2024***

Ku kibuga c'indege ca Jakarta muri Indoneziya, igihugu ca mbere kirimwo aba Islamu benshi kw'isi, Papa yakiriwe n'Umushikiranganji ajejwe amashengero nyenicubahiro Yaqut Cholil Qoumas, Karadinali Ignatius Suharyo Hardjoatmodjo, Abepisikopi batari bake bari baje kumuha ikaze.

Yaciye afata urugendo agana ikirimba c'ubuserukizi bwiwe muri ico gihugu aho yaherewe inzimano yongera araruhuka ku wa 3 Nyakanga.

Ku 4 Nyakanga yahaye umubonano Abepisikopi, abasaseredoti abihebeyimana n'abandi bamenyesha inkuru nziza; yishimikije amajambo nshimikiro y'urwo rugendo: Ukwemera, Umuvukano n'Umutima w'impuhwe.

Abatumirira kudatwarwa n'agatima k'ubwishime kubera amatungo kama ari muri ico gihugu, abatumirira kugendera umuvukano.

Yabasavye kugendera uwo muvukano mu kumenyesha inkuru nziza mu cubahiro cumwe umwe no kwirinda agatima kose ka shetani icanishamwo abantu n'abandi.

Ku bijanye n'umutima w'impuhwe, yasavye abo baganiriye bose kwirinda gusuzugura abitwa ko ataco bafise, ariko bemere kwiyambura ibintu vyose bituma umuntu agendera mu bwishime bugaya abandi, ariko bihatire kubegera kugira babakirurutse.

Papa akaba yarahimbawe nuko abakatolika bo muri ico gihugu naho ari bake, bashigikiye ubumwe n'umuvukano hagati y'abandi bari mu yandi mashengero nk'uko uwaserukiye Reta yabi-shikirije.

***• Urugendo muri Papouasie-Nouvelle–Guinée ku wa 6-9 Nyakanga 2024***

Ku wa 6 gushika ku wa 9 Nyakanga 2024, Papa yari muri Papaouasie Nouvelle Guinée, igihugu kigwiriyemwo abakristu.

Papa Fransisiko akaba agize umu papa agira kabiri agendeye ico gihugu inyuma y'Umweranda Yohani Paul wa II mu 1984.

Mu majambo yashikirije, yabasavye kuvavanura n'inyifato zivangura abanyagihugu baho no guheba ingeso mbi nk'akaborerwe, ibiyayuramutwe n'izindi ngeso zituma abavukana badashira hamwe.

Yarabaremesheje kandi mu kubabwira ko naho bari kure, ku mpera y'isi, Imana iri hafi yabo. Ko nawene abatwaye ku mutima wiwe.

Abasaba ashimitse na cane cane abarongoye amashengero kwitwararika cane abantu binkumirwa na cane cane abagore batawe n'imiryango yabo.

***• Urugendo muro Timor y'Ubuseruko ku wa 9-11 Nyakanga 2024.***

Ku kibuga c'indege cico gihugu, Papa Fransisiko yakiriwe na Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu José Manuel Ramos-Horta n'Umushikiranganji wa mbere Xanana Gusmao hamwe n'uwumuserukira muri ico gihugu Musenyeri Wojciech Zatuski n'abana babiri bamushikirije ishurwe.
Muri ico gihugu kigwiriyemwo abakristu babakatolika, papa Fransisiko yasavye urwaruka rwaho kwamana akanyamuneza n'ukubaha abandi.

***• Urugendo muri Singapour ku wa 11-12 Nyakanga 2024***

Papa Fransisiko yarangirije urugendo rugira urwa 45 muri Singapour. Muri ico gihugu, Papa yabanje guha umubonano abajezuwiti ku wa 11 Nyakanga agishikayo.

Mu mubonano yahaye urwaruka, yasavye urwaruka rwaho kunga ubumwe bakirinda ivyo vyose vyobateranya bifatiye cane cane ku madini.

Mu nkuka y'imisa yabasavye gukundana. Ati naho mwoba mufise ibintu vyinshi, mudafise urukundo ntaco vyomara. Abari baje muri iyo nkuka ya misa barahimbawe cane no kubona Nyenubweranda yaje mu gihugu cabo.

***M S V Marie Goreth Ndikumana***

# Ikena ry'amafranga mvamakungu mu Burundi rifise inkurikizi zikomeye

Mu gihe mu Burundi habandanya havugwa ikena ry'amafranga mvamakungu, ibintu ngo biriko bibandanya biba nabi gusumba. Reta nayo ngo itegerezwa gufata ingingo zidasanzwe mu gutorera umuti ico kibazo. Vyashikirijwe na Gabriel Rufyiri mu kiganiro yahaye abamenyeshamakuru ku wa 19 Nyakanga 2024 i Bujumbura.

Ku bw'uwo musesanguzi mu vy'ubutunzi akaba anarongoye ishirahahamwe OLUCOM ryishinze kurwanya igiturire no gusesagura ubutunzi bw'igihugu, ngo mu bihe nk'ibi, Reta yategerezwa gufata ingingo ntabanduka mu kugwiza umwimbu w'amafranga mvamakungu hamwe no gukoresha neza make ahari ku nyungu za bose.

Gabriel Rufyiri ati: « Kubera ingaruka mbi zidasanzwe ku butunzi bw'Uburundi zivuye kw'ikena ry'amafaranga mvamakungu, ubutegetsi bw'Uburundi bwategerezwa gukoresha neza ayahari kandi agasangirwa n'abayakeneye bose bashaka kurangura ibintu nkenerwa mu gihugu, bikabera mu muco ntangere».

**Ibintu vyifashe gute?**

Nk'uko biri mw'itangazo iryo shirahamwe ryasohoye uwo musi, ngo amafranga mvamakungu yagiye araduza igiciro bukebuke, bigatuma amafranga y'amarundi nayo agaciro kayo kagabanuka, bigaca bigira inkurikizi mbi kw'ikena ry'ibintu ngombwa ku banyagihugu, nko gufungura, kwambara, ivyo kwiyunguruza n'ibindi.

Kuva mu 2013, ngo iduga ry'igiciro c'amafaranga mvamakungu ryaribonekeje cane mu Burundi haba kw'isoko izwi n'amategeko canke ku bayagurishiriza mu kinyegero.

Ivyo ngo vyatumye igiciro c'igitoro, isukari, ifumbire, isima, ibinyobwa vya BRARUDI, imiti n'ibindi biguma biduga cane.

Tugereranije ibiciro vy'ifaranga ry'idolari mu 2013 hamwe n'ayo rigurwa ngo dusanga ibintu vyarabaye nabi cane.

Mu kwezi kwa Nyakanga igenekerezo rya 19 uyu mwaka wa 2024, Idolari rimwe ry'abanyameri ryagurwa amafaranga 2900 ku giciro ca Reta n'amafranga 7000 ku bayadandaza mu kinyegero.

Ivyo biri gurtyo mu gihe mu mwaka wa 2013, idolari rimwe ku giciro ca Reta ryagurwa amafaranga y'amarundi 1608.

Amafranga yacu rero yaratayе agaciro ku bice 335,5% kw'isoko yo mu kinyegero n'ibice 80,3% kw'isoko ya Reta.

Ubuzima nk'ubwo bw'ibintu biduga kuri uwo murindi ngo kugira ngo bihinduke dutegerezwa kuronka abarongozi b'inkerebutsi mu vya poritike no muri Reta mw'irangurwa ry'ibikorwa bishikana igihugu kw'iterambere.



**None hokorwa iki?**

Gabriel Rufyiri arongoye OLUCOM avuga ko ikintu ca mbere nyamukuru Reta yokwihutira ari kwunga ubucuti n'amakungu mu bijanye n'ubutunzi. Vyongeye, abantu bikorera utwabo bokworoherezwa, ivyabo bigakingirwa, abantu baza gushinga imitahe bakiyumvamwo igihugu cacu.

Vyongeye, Reta yofata ingingo yo kubuza no kwihaniza ko abantu bari munzego za Reta bakora urudandazwa. Kubwa Rufyiri, ngo ntibishoboka ko igisata c'abikorera utwabo gikomera mu gihe bariko bahiganwa n'abari muri Reta bafise n'uturusho dutandukanye kubera amabanga bajejwe.

Reta yofata igingo yo gukura amakori ku bintu vya ngombwa bimwe bimwe biduza igiciro. Nk'akarorero, Reta yaramaze gusahiriza bimwe biboneka mu gisata c'uburimyi nk'ikiguzi c'ifumbire. Ariko haracari ibikenewe gukurako amakori nk'igitoro, ibiterwa njabukamazi, ubutare, ipampa n'ibindi. Harakenewe umurwi w'abahinga n'aho boba mvamakungu, bofasha igihugu kugira igicapo c'iterambere dukeneye. Imbonokazoza ntiyoshoboka atabahinga bahari badufasha kuyishikako.

Hari n'agahaze mw'ibwirizwa ry'integuro y'amafranga Reta ikoresha mu mwaka wose. Ingene biharuye ntibituma ubutunzi bwacu buduga. Vyategerezwa gukorwa ukundi. Ivyo bica bijana n'itunganywa ry'amahinguriro mu Burundi.

*Mélance NDAYIKEZE*

# Isangiramutima, isoko rikomeza ubutumwa, rigashikana ku majambere atarota

Umwungere yahoze arongoye Diyoseze nkuru ya Gitega yarashikirije inyigisho abaserukira abandi mu madiyoseze, bahurikiye mw'Ishirahamwe «Mukama Menyekana», mu ntango y'ikoraniro ryabo ridasanzwe ryo ku wa 26 gushika ku wa 29 Myandagaro 2024.

Bari bakoranye mu ntumbero yo kwinagura no gutora indongozi nshasha zigiye gusukurira iryo shirahamwe.

Nyenicubahiro Musenyeri Simoni Ntamwana yahoze arongoye Diyoseze nkuru ya Gitega ati: « Mbega muri bande ? Muje gukora iki ?»

1. Inama ihuje abanyamuryango bose : abana b'Imana, abakristu, abashatse guhurumbiura Ijambo ry'Umukama no kurimenyesha abandi.

2. Murakeneye isangiramutima hagati yanyu : mu mutima, mu butumwa. Riremwe na Kristu ; rigizwe na we ; kandi rishikana kuri Kristu ; muri Mutima umwe (1 Abanyekorenti, 12, 4-7).

3.Isangiramutima ni ryo ryugurura inzira y'abasangiye ibanga.

4. Isangiramutima, ni yo nzira ibanga ryose rivomamwo amajambere na ubukomezi bwaryo, rikavoma mu rukundo no mu kurekuriranira.

Nimwame munywaniye mu muvukano wa Kristu, Umwigisha n'Umuyobozi wanyu.

Ndahimbawe no gusangira na mwe iri jambo ngire ndabayagire. Rivuye ku mutima. Rivuye ku rukundo namanira ukumenyesha Yezu na Inkuru nziza nyeranda yiwe.

Ntirifatiye ku buhinga noba mfise, canke noba narize. Iri jambo rivuye ku mutima ushaka kandi wipfuza kubona Inkuru nziza y'Umukama wacu Yezu Kristu imenyekana kandi igahindura ubuzima bw'iki gihugu n'ubw'abana baco.

Rivuye kandi ku rukundo numva mfitiye iki gihugu tubamwo, kuko gikeneye abagikunda kandi bakacihebera, mu rukundo ruhimbarwa n'uko rwitanze, kandi rukimarayo, kandi bakakibwiza ukuri.

Amayira menshi tubona Uburundi buriko burafata, ntashika, mbere ajana mu rupfu ! Si akunguko kanzanye hagati yanyu. Si ugushaka kumenyekana kwantumye nzinduka nza ndabarora.

Ni urukundo rwo nyene rwankuye imuhira, ngo dusangira iciza kiturutira ibindi, Ijambo rya Kristu.

Ndabona ko muvuye imihingo y'Uburundi bwose. Ese mwofatana mu nda muri iri shirahamwe ryanyu. Ese mwoba koko ico Imana ishakira abantu, kuba abana bayo, batigira ba magaragu, ariko barinda, kandi bamizako mu co bemereye Imana.

Muri ibiremwa vya Dawe wa twese, we yaremye ijuru n'isi, abantu bose iyo bava bakagera. Iyo muba mwakomoka kuri babiri canke batatu, ntivyari kuborohera kwicarana uku ndababona.

Umwe wese aba ari ukwiwe, mw'iteka ryiwe, mu cubahiro ciwe, ku murongo wiwe, kw'izina ryiwe,atiyumvira abandi bari kumwe. Ariko ndabona ko muri « abamugabo umwe ».

Muri ibiremwa vy'Imana, twese twakengurukiye ko yaturamukije.

Mbere murarusha ubutore iteka na ubwiza ibiri muri iyo ndangamuntu mvuze. Muri abakristu.

Nk'abakunzi ba Yezu b'i Antiyokiya ya Siriya (Ibikorwa 11, 19-26). Abo badutanze kwitwa iryo zina nimwumve ingene bari bameze: Umukama yari kumwe na bo (raba Matayo 28, 20), baremera Umukama akababera kirumara; bari bikwije ubutore bw'Imana bwakorera muri bo; bagumiza umutima ku Mukama; bari begukiye Umukama.

Aho Antiyokiya ni ho izina «Abakristu» – ni ukuvuga abasa na Kristu" – Christi-ani", ryatanguriye kwitwa abigishwa" (Umurongo wa 26). Gusa na Kristu, ni yo mvo y'ukwitwa aba-Kristu.

Iri jambo ry'ikilatini rivuga ko abo bantu basa na Kristu, bavuga nka Kristu, bigenza nka Kristu : kubera ivyo vyose, bagaca bahurira kuri iri zina, « abasa na Kristu », abakristu rero.

Nitwihatire kwamana ako karanga. Nitukagwanire. Nitukikwize, tukagendere, cane cane ko twiyemeje kwakira Ijambo ry'Inkuru nziza ngo ribe muri twebwe, ritubesheho, ryongere riturange. Ni ho mbere twogaruka tukarishingira intahe. Nkako turi mw'ishirahamwe « Mukama menyekana ».

Aha ni ho mbere haruta n'ibindi vyose tumaze gushira kuri karamuntu yacu. Turi aha kubera iryo zina, kubera ubwo butumwa.

Twaje kubera ko dushaka ko ubwo butumwa butera imbere, bukatugira abandi bantu, bukadufasha kurangura ico twemereye Imana na abantu.

Twari dukeneye rero kubanza kwidondorana, ntihagire uwutubundamwo atari kumwe na twe.

*Biracaza*

***Chanel HARINGANJI***

# Uruhara rw'urwaruka kugira habe amatora yizigiwe

Iyo habaye ubusamazi hagatorwa indongozi zitabibereye hononekara vyinshi: uwitwaje inguvu n'ingimba aca yigarurira ivyofashije igihugu na benegihugu, iryobaye itunga rusangi rica ritaha muri bamwe bamwe abandi bakaburiramwo, uwugize utwo yironderey e canke yimbuye bakatumunyaga, akarenganyo kagasasirwa indava ata camira, imanza zigacibwa hakurikijwe ingero z'ibiturire na ka mwana wa mama, ubukene n'inzara bikimonogoza mu bantu, imyidogo n'intuntu bikuzura imitima y'abantu bato bato batagira n'uwo bitura.

Abantu baca bababaho mu ngendo y'uko umwe umwe wese yigwanako kandi agacisha mu buryo ubwo ari bwo bwose, n'aho bwoba butajanye n'akaranga k'ubutungane n'imico myiza, akajagari kakaba ari ko karanga imibano y'abantu, n'ingo zigasinzikara.

Mu gihe mwene ico c'uko umwe wese acisha aho ashaka, haca hakora wa mugani w'uko umugabo ari uwurya utwiwe n'utw'abandi.

Ugukingira abenegihugu bica biba ibintu ata n'umwe vyega, amategeko yobwirijwe kugenga ibintu n'ibindi aca asubirirwa n'ubusahuzi, ubukunzi bw'inda, ukugunga abandi, ububeshi, ubushurashuzi, ubwononyi bwose hamwe n'ubwicanyi.

Ibikurikira ni uko abantu badundumirwa igihe kirekire, bigaca bimera nk'igihute giteba kikimena. Ni aho rero haca haduka intambara hamwe n'amagorwa menshi ajana na zo.

Indwano n'amagorwa si vyo twatorewe, si vyo Imana yaturemeye. Birakenewe rero rwose cane ko haboneka indongozi nyazo kandi z'inkerebutsi mu gihugu kugira ngo twese dutekanirwe.

Kugira ngo izo ndongozi ziboneke, indinganizo ni iyijanye n'intwaro rusangi (démocratie).

Papa Yohani Paulo II mweranda aratwigisha y'uko mu buryo bwose intwaro zitunganijwe, Ekleziya yemera intwaro rusangi ko ari yo ngendo nyayo iha ijambo abenegihugu bakaronka uburyo bw'ukwitorera indongozi n'ukwama basuzuma y'uko ubutegetsi buriko burabatunganiriza.

Ariko mwene iyo ntwaro rusangi ntishoboka aho badategera akaranga k'ikiremwamuntu n'urugero rw'iteka yaremanywe.

Ahari intwaro rusangi, abategetsi barafise ubutumwa bw'ukuyobora igihugu, ariko bikenewe abenegihugu bagashobora kuronka uburenganzira bw'ukubabogoza biciye mu buryo bw'amatora, maze umwe wese akaronka akaryo k'ukwitorera mu mwidegemvyo abo abona ko botunganiriza neza igihugu cose. Birakwiye rero ko mu bihe vy'amatora atawokwifata nk'uwutabinezwe.

Ari na co gituma umwungere yabwiye urwaruka ati: "Ndabahimirije ngo mutahure neza y'uko ukuja mu matora ari vyiza ku mukristu kuko ni ho aronka akaryo k'ugutera ku rugero rwiwe kugira ngo igihugu kironke indongozi zibereye. Ukuja mu matora ni ingero y'ugukora politike abantu benshi bashikako. Ariko ingero si iyo yonyene. Hari abashobora kwumva ko boshinga imigambwe, canke amashirahamwe canke imihari iharanira inyungu za politike". Ivyo vyose ni vyiza mu gihe umukristu abikoze biciye mu mategeko, akabitunganya atarenze amabwirizwa y'Imana n'ay'Ekleziya.

None rero, kiretse abasaserdoti n'abandi bihayimana, umukristu arafise uburenganzira bw'ukwinjira mu bikorwa vya politique, akinjira mu mugambwe abona ko ufise imigambi n'ivyiyumviro vyoteza imbere igihugu, agashobora mbere n'ukwitoza mu nzego nyobozi.

Vyoba vyiza mbere ko turonse indongozi zubaha Imana kandi zitwararika umuryango w'ab'Imana ku nzego zitandukanye z'uburongozi. Ni na ho vyokunda neza ko wa munyu na wa muco vyokora mu guhinyanyura ubuzima bw'igihugu n'Abarundi benshi bakaharonkera agahengwe.

Umwungere yari arongoye ico kiganiro yaciye ashimikira cane kunyifato ibereye urwaruka ruhamagariwe kugira mugihe c'amatora. Yisunze yuko ibihe vy'amatora ari ibihe bihambaye ku buzima bw'igihugu na bene gihugu, aho bamwe bamwe usanga umengo bataye umurongo n'akaranga k'ubukristu canke Bigashika hakaba n'abajana nyabahururu bakarangwa n'ingendo y'ugukubagura abandi haba mu majambo canke mu kubaboreza igufa, yarahamagariye urwaruka n'abandi bose kugendera ibintu bine vyoranga inyifato nziza mu bihe vy'amatora.

1. Ugushishoza gushimikiye ku kwihweza, ugutahura n'ukwifatira ingingo.

2. Kwirinda ingendo y'ugukubagura abandi haba mvugo canke mu ngiro (éviter la violence physique ou verbale)

3. bGusengera igikorwa c'amatora: Yezu aratubarira ko ico tuzosaba cose kw'izina ryiwe tuzokironka. Gusabira igihugu cacu tukagisabira umutekano, tukagisabira iterambere nyaryo, tukagisabira ubutungane n'intwaro ibereye ivyo vyose ni ivyiza twosaba Data wo mw'ijuru duciye kw'izina rya Yezu kuko na kare uwusavye neza ni we araronka.

4. Kwakira abandi uko bari n'aho tutoba dusangiye ivyiyumviro: ukuba tudasangiye ivyiyumviro vya politike bitotuma dutandukana canke ngo turabane nk'abansi. Umwansi ni we aduteranya na yo ubundi twobwirijwe gusangira urugendo nk'abavukanyi. Nka kumwe kwa Paulo mweranda, ndababwiye nti : No mu bihe vy'amatora, "nimwamane vya vyiyumviro bitavirira Yezu Kristu". Inyuma y'iyo nyigisho harabonetse akaryo gakwiye ko kubaza abigishije bose uwo musi kandi mu mwanya ubereye, abigishije bose baratahuje ababajije umwe wese ku kibazo ciwe mbere n'abatabajije bose bataha baharonkeye umuco.

***Biracaza***

*Patiri Léonidas Ntakarutimana*
*Diyoseze Ruyigi*

# Uburenganzira bw'umuntu bwo kuva mu gihugu ciwe no kukigarukamwo igihe ashakiye

Umuntu afise ubwenegihugu bw'igihugu kinaka ararekuriwe kuva mu gihugu ciwe, agiye kuratira ijisho ivyo ahandi, kubayo, kuramukanya, gusuma, kudandaza canke agiye ku zindi mvo.

Vyongeye arafise uburenganzira bwo kukigaruka-mwo igihe ashakiye.

Uwukeneye kuva mu gihugu ciwe ategerezwa kuba afise igitabu c'inzira cerekana umwidondoro wiwe hamwe n'urupapuro rumurekurira kuba canke rumuha ikiringo co kuba mu gihugu agiyemwo gurtyo agaca yemererwa kurenga imbibe z'igihugu.

Nta mu-ntu n'umwe ashobora kubuzwa kugaruka mu gihugu ciwe.

Birashobora gushika ko umuntu abuzwa kurenga imbibe z'igihugu ciwe ariko naho nyene bitegerezwa gukorwa mu buryo butegekanijwe n'amategeko.

Uburenganzira bw'umuntu bwo kuva mu gihugu ciwe no kukigarukamwo igihe ashakiye butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo bureng-a-nzira**

Amategeko mpuzamakungu atandukanye a-rategekanywa uburenganzira bwo kuva mu



gihugu ciwe no kukigarukamwo igihe ashakiye.

Muri ayo mategeko mpu-zamakungu tuja kwisu-nga ibiri:

* Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu,

* Hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye a-gateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

*a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu*

Umuntu arashobora kuva mu gihugu kandi akakigarukamwo igihe abikeneye. Bitegekanijwe n'ingingo ya 12 mu gace kayo ka 2 ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kuva mu gihugu ico arico cose, na rwiwe ndetse, akakigarukamwo igihe ashakiye.

*b) Amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu*

Umuntu ararekuriwe kwidegemvya akava mu gihugu ciwe akongera a-kagigarukamwo.

Tubisanga mu ngingo ya 12 mu gace kayo ka 2 ivuga ko umuntu wese arekuriwe kuva mu gihugu ico arico cose naho coba iciwe c'amamuko.

Iyi ngingo ibandanya ivu-ga mu gace kayo ka 3 ko ubu burenganzira duhejeje kuvuga bushobora gushingirwa akarimbi mu gihe bitegekanijwe n'amategeko kandi bikenewe mu gukingira umutekano w'igihugu, amagara y'abantu, uburenganzira n'ukwidegemvya vya mugenzawe, kandi ivyo bikaba bijanye n'ubundi burenganzira bwemejwe muri aya masezerano.

Agace ka 4 k'iyi ngingo kavuga ko ata muntu n'umwe ashobora kubuzwa gutahuka mu gihugu ciwe c'amavukiro ataco biciyeko.

*c) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu*

Umuntu ararekuriwe kuva mu gihugu aja mu kindi kandi akakigarukamwo igihe ashakiye nk'uko tubisanga mu ngingo ya 12 mu gace ka 2 k'aya masezerano.

Ubu burenganzira burashobora gushingirwa akarimbi ku mvo zo gukomeza umutekano w'igihugu canke zo gukingira amagara y'abantu.

Ni kuri iyo mvo ibihugu

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'umuntu bwo kuva mu gihugu ciwe no kukigarukamwo igihe ashakiye

*(Bitangurira ku rup.10)*

bitari bike vyafashe ingingo ihagarika uruja n'uruza rw'abantu hagati y'ibihugu igihe hari hateye ikiza c'indwara ya COVID 19.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu arerekana ko umuntu afise uburenganzira bwo kuva mu gihugu ciwe no kukigarukamwo igihe ashakiye. N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira**

Mu mategeko y'igihugu c'Uburundi, tuza kwisunga ibiri:

* Mw'Ibwirizwa Shingiro,

* Hamwe n'ibiri mw'ibwirizwa n°1/09 ryo ku wa 11 rusama 2018 ryerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.



a) *Mw'Ibwirizwa Shingiro*

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi:

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashize ko umukono harimwo itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu,

* Hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

Ni ukuvuga ko ivyavuzwe muri ayo mategeko bijanye n'ubwo burenganzira vyinjijwe mu mategeko n'amabwirizwa y'Uburundi.

Umwenegihugu wese ararekuriwe kugendagenda no kuba mu gihugu c'Uburndi aho ashaka kandi arafise n'uburenganzira bwo kurenga imbibe z'igihugu no kukigarukamwo igihe ashakiye.




Bitegakanijwe n'ingingo ya 33 ivuga ko Abarundi bose bafise uburenganzira bwo kuja no kugerera aho ariho hose mu gihugu ata nkomanzi kandi barafise n'uburenganzira bwo kurenga imbibe z'Uburundi bakongera bakagaruka igihe babishakiye.

*b) Mw'ibwirizwa n°1/09 ryo ku wa 11 rusama 2018 ryerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa*

Uburenganzira bwo kuva mu gihugu ciwe no kukigarukamwo igihe ashakiye, burashobora gushingirwa akarimbi, umuntu ntiyemererwe kurenga imbibe z'igihugu mu gihe yapfunguwe ivy'agateganyo.

Tubisanga mu ngingo y'163 ivuga ko umucamanza ashobora gutegeka uwagirizwa icaha ko aba mu micungararo y'aho umushikirizamanza afise icicaro, kutaja mu bibanza bimwe bimwe u-mucamanza yerekanye nk'ibibuga vy'indege, ibivuko, n'ibituro vy'ivy'unguruza abantu n'ibintu canke kutaba muri ivyo bibanza mu bihe bimwebimwe.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umuntu afise uburenganzira bwo kuva mu gihugu ciwe akakigarukamwo igihe ashakiye.

Uwugomba kuva mu gihugu ciwe ategerezwa kuba afise ivya ngombwa nk'igitabu c'inzira cerekana umwidondoro wiwe hamwe n'urupapuro rumurekurira kuba canke rumuha ikiringo co kuba mu gihugu agiyemwo gurtyo agaca yemererwa kurenga imbibe z'igihugu.

Ubu burenganzira bushobora gushingirwa akarimbi mu gihe umuntu yapfunguwe ivy'agateganyo canke iyo igihugu gifashe ingingo ku neza y'umutekano canke kugira ngo amagara y'abenegihugu akingirwe.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# UMUSI MPUZAMAKUNGU WAHARIWE UBUTUMWA BWO KUMENYESHA HOSE INKURU NZIZA YA YEZU KRISTU

*Ku w'Imana, igenekerezo rya 20/10/2024*

## «Gende muhamagare abantu bose baze mu bugeni»

Matayo 22, 9



## «Uwabatijwe wese ni umutumwa»

**INDWI YA MBERE**

Kuva kw'igenekerezo rya 06 gushika kw'igenekerezo rya 12 gitugutu 2024. Indwi ihariwe ukumenyekanisha Igikorwa ca Papa c'ugukwiza hose Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu mibano rukristu.

**INDWI YA KABIRI**

Kuva kw'igenekerezo rya 13 Gushika kw'igenekerezo rya 19 Gitugutu 2024. Indwi ihariwe kugendera abarwayi mu bitaro canke mu mihana.

**INDWI YA GATATU**

Kuva kw'igenekerezo rya 20 gushika kw'igenekerezo rya 26 gitugutu 2024. Indwi ihariwe kwegeranya amashikanwa arungikwa mu kigega rusangi c'ubutumwa bwo kumenyesha hose Inkuru Nziza ya Yezu Kristu.

**INDWI YA KANE**

Kuva kw'igenekerezo rya 27 gitugutu gushika kw'igenekerezo rya 02 munyonyo 2024.
Indwi ihariwe gukenguruka ivyiza twagabanye mu kwezi kw'icumi kwose.

*Ibiro Ndemeshabutumwa bw'Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu BURUNDI.*
*Oeuvres Pontificales Missionnaires /BURUNDI*

## Igisabisho c'Ubutumwa bw'Abamisiyonari

Mukama,
Kubw'urukundo rwawe, waraturungikiye Yezu Kristu Umwana wawe ngo aze kuducungura; Ekleziya Muvyeyi wacu, mu gukwiza Inkuru nziza kw'isi yose, yama yishimikiza ijambo ry'Umwana wawe.

Vyura muri jewe umutima w'ukumenyesha Inkuru nziza mpereye aho mba.
Mfasha kugira ng o mu kwitwararika abandi, igisabisho canje n'intererano yanje, bibe ishikanwa rishigikira Ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza kw'isi yose, cane cane mu batarakumenya.

Ronsa abakristu bo kw'isi yose, abakuru n'abato, abatunzi n'aboro, umutima w'ubumwe n'ugusabikanya, bibe ikimenyetso c'ugushingira intahe y'Inkuru nziza y'Umwana wawe.
Remesha wongere uzigame mu rukundo rwaweabamisiyonari bahamwa bahorwa ijambo ryawe bigisha.

Amen!!!

Akaranga k'umwigishwa wa Yezu, k'uwukunda Yezu vy'ukuri ni ukuzigama ijambo ryiwe. Uwuzigama ijambo, n'uko aba yabanje kuryumviriza, akaritega amatwi, rikamunyura, rikamushika, rigashikira mu mutima, hanyuma akarigendera mu buzima bwiwe.

Uwuryakiranye umutima mwiza riraheza rikamugirira akamaro: rimubera umuco mu muzimagiza w'ubuzima, rikamukomeza mu kwemera kwiwe, akaba n'umwizigirwa.

**Ndongozi y'Uburundi**